IJAMBO RISHIKIRIJWE N'UMURWI CNIDH MU GIHE BUCA HASUBIRA KUBA IBIGANIRO BIHUZA ABARUNDI I ARUSHA MURI TANZANIYA, KU WA 21 RUSAM 2016 BIHAGARIKIWE N'UMUHUZA YAGENYWE N'AKARERE

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) uranezerejwe no kwumva ko ibiganiro bihuza Abarundi bihagarikiwe n'umuhuza yagenywe n'akarere bigiye gusubira gutangura igenekerezo rya 21 Rusama 2016 i Arusha, muri Tanzaniya.

Umurwi CNIDH urakeje Leta y'Uburundi n'abanyepolitike bose, baba abashigikiye Leta canke abo batavuga rumwe, kubona basubiye mu nzira y'ibiganiro, ivyo bikagaragaza ko hari ugushaka ku mpande zose ko ibibazo bihari vyotorerwa umuti hatarinze gukoreshwa igikenye.

Umurwi CNIDH usavye abagiye muri ivyo biganiro kugenda i Arusha bajanye umutima ushira imbere umwumvikano, uguheberanira no gushira imbere inyungu z'igihugu n'abanyagihugu bose mu butandukane bwabo.

Ivyo biganiro bishitse mu gihe mu gihugu cose harangwa amahoro n'umutekano muri rusangi, kiretse mu makomine amwe amwe y'intara za Bujumbura, Bururi na Rumonge, aho hacibonekeza uturwi tw'inkozi z'ikibi zihugabanya rimwe na rimwe umutekano mu kwica abanyagihugu n'abajejwe intwaro ku nzego zo hasi. Aha twovuga nko mu makomine ya Burambi, Mugamba na Mukike.

Ivyo biganiro bibaye kandi mu gihe mu mezi ya Ntwarante na Ndamukiza habaye ubwicanyi butumbera abantu bamwe bamwe na cane cane abari mu nzego z'umutekano aho intwazangabo zishika zitanu zo mu gisirikare, ababacungerera umutekano hamwe n'imiryango yabo bagandaguwe abandi benshi barakomereka mu bitero vyabaye mu gisagara ca Bujumbura.

Vyongeye, ivyo biganiro bibaye mu gisagara ca Bujumbura harabaye ibitero vy'amagerenade yagenda araterwa ahantu hahurira abantu benshi nko mu bubare, mu masoko, n'ahandi hahurira abantu benshi, rimwe na rimwe biboneka ko hariho abantu baronderwa.

Umurwi CNIDH uriyamirije kandi ibindi bintu vyose bihungabanya agateka ka zina muntu, aho kuva mu ntango z'umwaka dufise igitigiri c'abantu bababa 130 bishwe, abandi baranyuruzwa hatibagiwe abahohotewe n'abafunzwe hadakurikijwe amategeko.

Umurwi w'igihugu CNIDH uratewe umutima uhagaze n'imvugo zidahumuriza canke z'indenzarugero zikoreshwa n'abanyepolitike bamwe bamwe n'amashirahamwe amwe

Jonction 21 Boulevard du 28 Novembre –2 Avenue Muyinga, B.P. 1370 Bujumbura – Burundi
Tél. (+257) 22 27 71 20 ; e-mail : cnidh@cnidh.bi, Site Web : www.cnidh.bi

Commission Nationale Indépendante des Droits de l'Homme
Tél :
B.P. 1370